NSW GOVERNMENT | Education
Public Schools

# Ikete ku bavyeyi/ abarezi ku bijanye na *Nitbusters:Indinganizo y'inda zo mu mushatsi mu mashule*
# Letter to parents/carers concerning *Nitbusters: Head lice in schools program*

Izina ry'umwana ______________________________ Umwaka ____________________
Child's name                                      Class

Itariki y'umunsi wa Nitbusters ______________________________
Date of Nitbusters Day

Umunsi wo kugarura urupapuro rwo gutanga uburenganzira ______________________________
Date for return of consent form

Nyakubahwa Muvyeyi/ Murezi

Nitbusters igamije kwigisha amashule, abana n'abavyeyi kubijanye n'inda zo mu mishatsi n'ingene bozikuramwo.

Ndabandikiye ndabasaba uburenganzira bw'uko umwana wawe yokwitabira muri iyo ndinganizo y'umunsi wa Nitbusters bizobera kw'ishule kw'itariki yanditswe aho hejuru. Umunsi wa Nitbusters ni umunsi abavyeyi bashobora gufasha mu kuraba hamwe no kuvura inda zo mu mishatsi abana bose.

Umwana wese ahimirizwa kwitabira. Nta mwana ashobora kwitabira adafise urupapuro rw'uburenganzira ruriko umukono, canke ngo ahanwe ngo ni kubera atitabiriye. Ababvyeyi/ abarezi na/canke abana barashobora kubivamwo umwanya uwo ariwo wose. Abo bana batitabiriye barashobora kwiga ingene bamenya inda hamwe n'amagi n'ingene bozikuramwo.

Kuri uwo munsi wa Nitbusters umwana wese yitabiriye umushatsi wiwe urasuzumwa mu kuraba niba hari izoba zirimwo. Abafasha abavyeyi bambara ibintu ku biganza mu kuraba hamwe no mu kuzivura. Iyo basanzemwo amagi canke inda, baca bashiramwo isabune igira umushatsi neza kandi bagasokoza umushatsi. Baheje gukuramwo umushatsi uzitanye n'igisokozo kinini, agasokozo gato gakuramwo inda baca bagakoresha mugukuramwo inda n'amagi. Baca bahindura ivyo bambara ku maboko inyuma yo gukorera buri mwana wese. Mu gihe babonye ko umwana afise uburwayi mu mutwe canke hibonekeza udusebe canke imba, umwana ntibashobora kumurabira canke ngo bamuvure.

Bahejeje, umushatsi w'umwana uzoba ushokoje kandi ufise isuku. Iyo sabune igira umushatsi neza ntibayoza kuko bigoye kugirira kw'ishule. Iyo sabune igira umushatsi neza ntiyonona umushatsi kandi umwana ashobora kuyoza ageze i muhira.

Ibisokozo vyose birozwa mu mazi ashushe arimwo n'isabune baheje umwe umwe kandi babirongorora mu mazi ashushe nkuko inda zo mu mushatsi zicwa namazi ari kuri dogre Celcius 60.

Bazorungika ikete i muhira baheje gusuzuma rikumenysha nimba hari amagi,inda canke vyose inda n'amagi basanganye umwana wawe. Abavyeyi bose bazobarungikira insiguro kubijanye n'ingene bavura inda zo mu mushatsi n'aho umwana wabo atoba yitabiriye iyo ndinganizo.

Kugira ngo Nitbusters igira akamaro kw'ishule ryacu, umwana wese yosabwa kwitabira. Umuntu umwe gusa afise inda ashobora kwanduza ishule ryose. Ico ukwiye ku menya ni uko umuntu wese ashobora kwandura inda zo mu mushatsi bitaravye imyaka, igitsina canke aho aturuka. Kuzivura bisabwa kuba muri kominote kandi bikabandanya.

Indinganizo isaba kominote y'ishule ryose gukorera hamwe mugutegura no gukora umunsi wa Nitbusters ku kibaza c'ishule, mu buryo bwo kuvura abana bose inda zo mu mushatsi ku mwanya umwe. Umugwi userukira abavyeyi utegura uwo munsi mu gutanga bafasha mugusuzuma no kuvura abana bose inda zo mu mushatsi. Isuzumwa rikorwa n'umuvyeyi/ umurezi afasha ku bushake mu mwaka w'ishule bakurikije umwaka ku mwaka, aho abana bato aribo baherako kuvura hakiri kare ku munsi w'ishule. Indinganizo ikoresha uburyo bw'ibisokozo hamwe n' isabune igira umushatsi neza mu kuvura inda zo mu mushatsi kandi ni bwiza, nta miti yonona bakoresha, mu gukuramwo inda zo mu mushatsi mu gusokoza.

Nimba mwemera ko umwana wanyu yitabira umunsi wa Nitbusters, uzuza  urupapuro ryo gutanga uburenganzira mu Congereza hanyuma uce ururungika kw'ishule bitarenze itariki berekanye aho hejuru. Buri mwana asabwa gutanga urupapuro rw'uburenganzira ruriko umukono.

Izi nsiguro zisunga insiguro zatanzwe ku murongo wa interenete ujejwe ivya amagara Nitbusters wa NSW.